LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME

"ITEKA" association sans but lucratif

*Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991*

*Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)*

**LBDH/** 008 **/2026** Kampala, 19 Ntwarante 2026

**Itangazo ry'umuhari Iteka kw'inyuruzwa n'iburwa irengero ry'umupfasoni Chadia Mukaremera, akorera CNIDH**

Kuva kuwa 25 Ruhuhuma 2026, umupfasoni Chadia Mukaremera, ajejwe isuku mu murwi w'igihugu wigega ujejwe agateka ka zina muntu (CNIDH), aba muri karatiye Nyakabiga I, kw'ibarabara rya 13, muri komine Mukaza, mu ntara ya Bujumbura yarabuzwe irengero.

Kubwo amasoko y'amakuru atandukanye,uwabuzwe irengero yoba yaravavuganye kuri terefone na Chantal Batamuriza,umunyamabanga mukuru wa CNIDH,mu gitondo c'umusi yaburiweko irengero kandi ni naryo jwi ryiwe ryanyuma kuvyo terefone yerekana.Umuhari Iteka ufise amakenga ku kwikwega canke ku kudakora kwa CNIDH kw'inyuruzwa ry'umukozi wayo ukanibaza uko vyogenda ku munyagihugu abayabaye.

Mu bisanzwe,kuva umupfasoni Chadia abuzwe irengero,umuhari Iteka wararondeye kuvugana na CNIDH kugira basabikanye amakuru bongere bategure ivyokorwa vuba bwango kuriryo **nyuruzwa,kandi waranarondeye** *Mgr Blaise Nyaboho,arongoye CNIDH yasavye ko bovugana ku majwi canke ku butumwa bwanditse. Umuhari Iteka uribaza igituma urwego rujejwe guteza imbere n'ugukingira agateka ka zina muntu mu gihugu urera amaboko habuzwe irengero umukozi wayo gushika aho baburuza intambwe zakozwe n'umuryango w'uwabuzwe irengero canke ishirahamwe basangiye imirimo.*

*Vyongeye,amakuru bahurizako yerekana ko icuka cabaye muri CNIDH mu mwaka wahera cabandanije,ku rundi ruhande bikanigira mu menshi utwigoro twokurondera umupfasoni Chadia kandi umuryango wiwe urwa mu mporero y'ivyo mugihe wari ukeneye cane ko bowushigikira bakanawushumbusha.*

*Gutyo,ubwo nyene akiburwa irengero,CNIDH yararose amakuru ku muntu yahamagaye ubwanyuma umupfasoni Chadia hamwe n'akarere terefone y'uwanyurujwe yarimwo ariko ntiyashatse kumenyesha umuryango izina ry'uwo muntu kandi nta n'itohoza na rimwe ryakozwe mu karere karimwo terefone.Umuryango warirwanyeko kugira umenye ayo makuru ariko ubushobozi ntabwo bari bafise ngo baronke amahirwe yo gusaba amatohoza urwego rujejwe agateka ka zina muntu rwiyita ko rugenzura.*

*Kuri ivyo,umuhari Iteka urasaba :*

- *CNIDH ko yova mu gacerere kandi igashira ahabona ivyavuye mu ntambwe zakoretse mu kurondera ukuri kw'iburwa irengero ry'umupfasoni Chadia kubera inyuruzwa ry'umunywanyi w'urwego rw'igihugu rujejwe agateka ka zina muntu hamwe n'ukurera amaboko k'urwo rwego ni ibintu vyerekana ko igipfungu mu gisata c' c'agateka ka zina muntu mu Burundi ;*
- *Igipolisi na parake ya Mukaza ko bokora amatohoza kandi bagacira urubanza umuntu wese yoba ari muri iryo nyuruzwa ;*
- *Leta y'uBurundi kwitwararika igikorwa co kurwanya ukudahana bisasira indava ubwo bubegito bukorerwa abantu.*

**Kubwo umuhari Iteka**

Anschaire NIKOYAGIZE

Ligue Burundaise des Droits de l'Homme Bujumbura ITEKA

**Umukuru w'umuhari**

4, Avenue des Euphorbes, B.P.177 Bujumbura-Burundi, Tél. :(257) 22228636, Fax :(257)22220004
E-mail :info@ligue-iteka.bi, Website : https://www.ligue-iteka.bi

N° 008 /2026